REPUBLIQUE DU BURUNDI

UNITE · TRAVAIL · PROGRES

CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

*SECRETARIAT PERMANENT*

# ITANGAZO RY'INAMANA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE UMUTEKANO

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yarakoranye mu nama yayo isanzwe kw'igenekerezo rya 20 Mukakaro 2018 irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu akongera akaba Umukuru wiyo Nama.

Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano imaze guca hirya no hino ingene umutekano wifashe mu gihugu cose, ishikirije ibi bikurikira :

1. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashima ingene umutekano wagumye wiyongera mu gihugu cose. Yaciye iboneraho akaryo ko gushimira abarundi bose, inzego zijejwe Umutekano no kwivuna abansi, abajejwe ubutungane, abajejwe intwaro, imigambwe yemewe n'amategeko, abaserukira amashengero n'amashirahamwe ataho yegamiye muvya politike, hamwe namakomite y'umutekano ahurikiyemwo bose, basenyeye kumugozi umwe mu kubungabunga amahoro n'umutekano haba hagati mu gihugu canke ku mbibe zaco.

   Uwo mutekano watunye abarundi bijukira ibikorwa bagwiza umwimbu mbere ibiciro vy'ibifungurwa mu masoko bikaba

REPUBLIQUE DU BURUNDI · Secrétariat Permanent · CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

vyaragabanutse . Inama Nkuru y'igihugu ijejwe umutekano isavye rero abarundi bose eka n'abanyamahanga baba muri kino gihugu kwama barikanuye kugira ngo umwansi ntabace muryahumye.

2. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yashimiye abarundi bose ingene bitavye ari benshi mukwitorera Ibwirizwa Shingiro ry'Igihugu cabo be nomuguhimbaza imisi mikuru ya Reta, mbere n'ukuntu bagiye baritabira ingendo zo kwiyamiriza ibinyoma bishingiye kukuvuga Uburundi uko butari.
   Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasubiye kandi kwiyamiriza ingendo mbi y'uwariwe wese agenda aratyoza igihugu cacu c'Uburundi mukukivuga uko kitari. Iboneyeho akaryo ko gutera intege abarundi bose kandi inabasaba kwima amatwi izo mvugo z'ibinyoma ahubwo bijukire ibikorwa vy'iterambere.

3. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irashimiye kandi inzego zose zagendeye Abenegihugu mukubakoresha amanama n'ibiganiro vyo gutsimbataza amahoro n'umutekano.

4. Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yaciye hirya no hino imvugo zitari nziza zigize imisi zishikirizwa n'abategetsi b'igihugu c'Urwanda ku gihugu cacu hamwe n'iyirukanwa ry'Abarundi bari basanzwe baba murico gihugu bakirukanwa mu buryo butubahirije agateka kazinamuntu.
   Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irateye ivyatsi iyo nyifato itubahiriza amategeko mpuzamakungu agenga imbibe z'ibihugu hamwe n'ayagenga agateka kazinamuntu nkuko biri mumategeko mpuzamakungu ya ONU.



REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Permanent
CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

Naho biri uko, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irahumurije Abarundi bose ko botekana kuko nta nzu iriko irasha.

5. Mu ntumbero yukubandanya dutsimbataza amahoro n'umutekano, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano ishikirije ibi bikurikira :

   1) **Kubijanye n'ubutunzi :**

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano imaze kubona ko ubuhinga bwo guhanahana amafranga hakoreshejwe amatelefone ngendanwa burushaho gutera imbere, Irasavye ibisata bijejwe icungerwa ry'ikoreshwa ry'ubwo buhinga gufasha kugira inyungu z'abenegihugu zibandanye zikingirwa. Isavye kandi ko inzego zibijejwe ko zobikurikirana neza kugira ntihagire inkozi z'ikibi zokwikika muri ubwo buhinga bugezweho ngo zitosekaze umutekano w'igihugu ;

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yihweje kandi itegeko rigenga Ikigega ca Reta rivuga ko amafaranga y'agaciro y'ibidandazwa bishorerwa hanze y'igihugu ategerezwa guca mububiko bw'Ibanki Nkuru y'Igihugu na canecane inzahabu, korota n'ayandi mabuye y'agaciro ; irasavye ibisata bisanzwe bijejwe gucungera ivyishoka ry'ivyo bidandazwa canecane igisata c'amokori OBR ko vyoraba neza igihe cose impapuro zose zikenewe ko zikwije amategeko imbere yo kurekura ivyo bidandazwa ngo bisohoke.

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasavye kandi Ubushikiranganji bujejwe ubudandaji gutunganya neza



REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Permanent
CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

urudandazwa rw'ivyamwa n'imboga mu ntumbero yuko ivyo biterwa bizanira igihugu amafranga y'agaciro.

**2) Kubijanye n'Ubutungane**

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yihweje ko abacamanza bamwebamwe batukisha umwuga w'Ubucamanza mugusaba no kwakira ibiturire, mukudakora ico bajejwe bigatuma imanza zidindira ; kuberako iyo ngeso ihungabanya umutekano w'igihugu n'abanegihugu, ikongera igatuma iterambere ridindira, Inama Nkuru y'Umutekano irasavye Ubushikiranganji bw'Ubutungane, inzego zijejwe kurwanya ibiturire, abarundi bose n'abanyamahanga baba mu Burundi gushengeza umukozi wese wo mu butungane asaba canke yakira igiturire, canke areka gukora ico ajejejwe mumwanya utegekanijwe n'amategeko ; yaba umucamanza, umushikirizamanza, umugenduzi, umwanditsi n'abandi.
- ✓ Vyongeye, muntumbero yo gukingira benegihugu, umukozi wo mu gisata c'ubutungane aba ariko arakurikiranwa n'ubutungane kucaha gituma aba atakigira ubwizigirwa bukenewe mugutunganiriza abenegihugu, ategerezwa guhagarikwa muri ayo mabanga gushika urubanza ruhere kandi yejejwe.

**3) Kubijanye n'ibidukikije :**

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasavye ko ababijejwe bose n'abenegihugu bose kubungabunga amazi meza Uburundi bufise mukuyarinda ico cose coyatosekaza, hamwe no kurinda ibinyabuzima biba muri ayo mazi. Nimuri iyo ntumbero Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano yasavye Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije ko station yo ku Buterere isanzwe



REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Permanent
CONSEIL ... SECURITE

iyungurura amazi y'imicafu ava mu gisagara ca Bujumbura, bwoba bwasubije muburyo ivyononekaye vyose mukiringo kitarenga amezi atatu. Kubijanye n'amazu yose yubatswe mu bibanza vyose vyagenewe iyo station, ubushikiranganji bubijejwe bwobikurikirana vyihuta kugira ngo mu kiringo gito cane ayo mazu azobe yahavuye !

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano isavye kandi Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije gukingira ishamba cimeza rya Kibira mugufata ingingo ruhasha kuruwo wese acihagira mukugicamwo ibiti vy'imbaho canke vy'amakara.

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano iciye iboneraho akaryo ko gushimira umugambi « Ewe Burundi urambaye ». isavye kandi Ubushikiranganji bubijejwe kworohereza amashirahamwe akora ibikoresho vyosubirira ibiti haba mukwubaka canke mugukinjika.

## 4) Kubijanye n'imibano n'amagara y'abantu :

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano iratewe impungenge y'ukugene uradandazwa hamwe n'ukunywa ibiyayuramutwe bitera vyiyongera. Iboneyeho akaryo ko gusaba Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu n'izindi nzego zibijejwe guhagurukira ico kibazo bateko bafate ingingo zo guhasha ako karanda.

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano irasubiye kwiyamiriza ingeso n'imico mibi ijanye n'abantu



REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Permanent
CONSEIL NATIONAL DE SECURITE

bahuza ibitsina babisangiye. Iribukije ko ico ari icaha gihanwa n'amategeko y'Uburundi. Isavye inzego zose zibijejwe guhaguruka kugira ako kabi gatuzwe.

**5) Kubijanye n'indero**

- ✓ Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano iranebagura ingendo mbi yibonekeje muri iyi misi aho ku mashure amwamwe hibonekeje ubusuma bw'ibibazo bugirwa n'abanyeshure canke mbere babifashijwemwo n'abarezi babo. Inama nkuru y'umutekano Isavye ubushikiranganji bubijejwe gufata ingingo zose zikenewe mu nzira yoguhasha iyo ngeso mbi mu ntumbero yo gukingira indero n'ubumenyi bw'urwaruka.

6. Mukurangiza, Inama Nkuru y'Igihugu ijejwe Umutekano ihamagariye abarundi bose gutura amaboko, umutima n'ubuzima igihugu cacu mu nzira yo kugikingira no kubandanya batsimbataza amahoro n'umutekano vyo soko ry'iterambere rirama.

**Nihahangame amahoro n'umutekano mu gihugu cacu,**
**Imana Ikingire Uburundi n'Abarundi.**
**MURAKOZE.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Secrétariat Permanent
CONSEIL NATIONAL DE SECURITE